## ITANGAZO RYO MU BIRO BIKURU VY'URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI.

I. Ibiro Bikuru vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi biramenyesheje imikangara yifuza kwinjira muri urwo Rwego, mw'Ishuri Kaminuza ry' Intwazangabo mu ntwaramiheto (ISCAM) ko iyandikwa rizotangura **ku munsi wambere igenekerezo rya 14 Gitugutu 2024 gushika ku munsi wa kane igenekerezo rya 31 Gitugutu 2024** ku mirwa mikuru y'intara bavukamwo. Abiyandikisha bazokwakirwa kuva isaha zibiri zo mu gitondo gushika isaha zitandatu, no kuva isaha umunani gushika isaha icumi n'imwe zo ku muhingamo..

**II. UWO WESE ASHAKA KWIYANDIKISHA ASABWA IBI BIKURIKIRA:**

1. Kuba ari Umurundi canke umurundikazi;
2. Kuba avyishakira ;
3. Kuba afise amagara meza ;
4. Kuba afise imyaka iri hagati ya **18 na 25** ;
5. Kuba afise urupapuro rw'umutsindo rw'amashure yisumbuye rw'umwaka w'ishure wa 2023 ushira 2024 n'urupapuro rwemeza ko yamenye ikibazo ca Reta c'umwaka w' ishure wa 2023 ushira uwa 2024 akaba yararonse amanota amuha uburenganzira bw'ukubandanya amashuri ya kaminuza ya Reta ;
6. Kuba afise imico n'imigenzo myiza ;
7. Kuba atigeze apfungwa ;
8. Kuba atigeze aba mu Rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi canke mu Gipolisi c'uburundi canke ngo yirukanwe mu kandi kazi ka Reta ;
9. Kuba atarubaka urwiwe kandi ata mwana afise, akemera kuzoguma ukwo nyene mu kiringo c'inyigisho shimikiro no mu kiringo c'imyaka ibiri (02) yarahejeje izo nyigisho.

**III. ATEGEREZWA GUTANGA IBI BIKURIKIRA :**

1. Ifotokopi ya karangamuntu ;
2. Urupapuro rwemeza amavuko yiwe ;
3. Urupapuro rwemeza ko atarubaka;
4. Urupapuro rw'umwidondoro wiwe wose;
5. Urupapuro rwa muganga wa Reta rwemeza ko afise amagara meza;
6. Urupapuro rw'umutsindo rw'amashure yisumbuye rw'umwaka 2023 ushira 2024 hamwe n'urupapuro rwemeza ko yamenye ikibazo ca Reta c'umwaka w'ishure wa 2023 ushira uwa 2024; hamwe n'urupapuro rwerekana amanota yose yaronse muri ico kibazo;
7. Urupapuro rwemeza ko yigenza neza;
8. Urupapuro rwemeza ko adakurikiranwa n'ubutungane;
9. Amafoto ane ya pasiporo (04).

**IV. IBISABWA KUGIRA NGO YEMERERWE KWINJIRA:**

1 kuba yaramenye ibibazo vy'ukwandika n' ikibazo c'ukwinonora imitsi;

2. kuba yemejwe ko afise amagara meza n'umuganga ajejwe amagara y'abasirikare mu Biro Bikuru vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi.

V. Abazoba banditswe basabwe kuzoba bari ku mirwa mikuru y'intara bavukamwo kw'igenekerezo rya 9 Munyonyo 2024 isaha imwe yo mu gitondo, bafise ibikoresho vy'ugukora ibibazo vy'ibiharuro;igifaransa;n'icongereza.. Umusi w'ugukora ikibazo c'ukwinonora imitsi uzomenyeshwa hanyuma..

VI. Iri tanganzo murisanga aho rimanitse ku mirwa mikuru y'intara n'amakomine.

VII. Uwufise ico abaza ashobora guhamagara kuri izi nomero za terefone: 72402632, 68080404; 61115966, 76394827.

<u>Menya Neza</u>: **Uwuzofatwa yabeshe ibisabwa azokwirukanwa buno nyene naho azoba yarahejeje inyigisho za gisirikare yongere ashengezwe imbere y'ubutungane. Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kandi ruzoshengeza imbere y'ubutungane umuntu wese azoba yaragize uruhara muri ico kinyoma.**

UMUKURU W'URWEGO RW' UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI

**JENERARE Prime NIYONGABO**